# Kumenya ivyó amashure y'akarorero n'amasomero y'indobanurwa

Amashure y'akarorero n'amasomero y'indobanurwa ni indinganizo zishira hamwe **abanyeshure bashoboye cane kandi b'abanyempano**.

Ukwîgana kw'abanyeshure banganya ubushobozi bibafasha mu gutera imbere n'ukuroranirwa mu bumenyi.

Abanyeshure babāndānya bákurikiza urutōnde rw'ivyigwa rw'i NSW, ariko abigisha bokoresha ubuhinga bw'inyigisho zidasanzwe ku biga b'încâbwênge n'ábanyêmpâno.

Muri buri shure yo guhuriza hamwe amahirwe yo kwiga hamwe nishuri ryisumbuye ryatoranijwe hazoba Hariho igitigiri kingana kiboneka ku bakobwa n'abahungu.

## Amashure yisumbuye y'Indobanurwa

Hari amoko y'amashure yisumbuye y'indobanurwa:

- **amashure yisumbuye y''indobanu-rwa bwegu** - ayo ní amashure ahó abanyeshure bose barobânurwa hisunzwe ikibazo c'isuzumwa
- **amashure yisumbuye y'indobanurwa mfatakibanza** - ayo ní amashure ari-mwo uruvange rw'abana barobanuwe n'abanyeshure bo mu micungararo
- **amashure yisumbuye y'uburimyi** – ayo ní amashure ashimikira ku kwiga uburimyi kandi abanyeshure bose bacagurwa hisunzwe ivyo bashoboye mu vyigwa. Amwe murí ayo mashure ararâza abanyeshure bakaba kw'ishure
- **Aurora College** - aya ni amashure y'indobanurwa nguruka-nabumenyi. Atangwa mu mashure yisumbuye hagati mu gihugu na kure.

## Amasomero yisunga akaryó

Amasomero y'akaryó ni ay'ábanyêshǔre b'încâbwênge b'imyaka 5 n'6. Atangwa mu mashure amwé matomato ya Reta i NSW hose.

Aurora College ni akaryo k'amasomero ngurukanabumenyi ku banyeshure bó hagati mu gihúgu na kure mu mashure matomato iyó barí.

## Ari hehe?

Amashure y'Indobanurwa n'amasomero y'akarorero ari ahantu hose mu gihúgu, mu ntara no gahati mu higugu i NSW. Ronderera ku makáratá háno munsi ku mbúga umenyé ishure rikwegereye.

- [Rondera amasomero y'akarorero]
- [Ronderaind amashule y'isumbuye y'akarorero]


CC BY

# Ni gúte nomenya kó bwoba arí uburenganzira bw'umwana wanje?

Mbega umwana wawe:

- arakunda kwiga cane
- arangwa n'amatsiko adasanzwe
- aribuka cane
- abaza ibibázo bigoye kwishura
- akenera gusúbiramwo gaké cane igihe aíko ariga ibintu bishasha
- yerekana ubukérabutsi bw'ukurema ibitariho
- aritanga mu kwitwararika rwose ivyo afitiye umwete n'úmuhámagaro?

Asangwa bimwe murí ivyo bidondowe vyerekana umwana wawe, isomero canke ishure ry'akarorero ryomufásha.

# Ni gúte nōrisabá?

Abavyeyi barisabira ku rubúga mu kiringo cagenewe gusaba, uciye kurí: shsoc.education.nsw.gov.au

## Ukuzokwinjira mu masomero n'amashure y'Akarorero mu 2027

Ikiringo có gusaba kuzokwakirwa mu 2027 ní kuva **kuwa 6 Munyonyo 2025** kugeza **kuwa 20 Ruhuhúma 2026**.

### Umwana wanje aba amáze imyaka ingahe igihe nsabá?

**Amasomero atanga akaryó**

Abavyeyi basaba igihe abana babo bamaze imyaka 3 mu 2025 canke batanguye umwaka wa 4 mu 2026.

**Amashure y'indobanurwa**

Abavyeyi basaba abana babo bámaze umwaka ugirá 5 mu 2025 canke ku ntango y'umwaka ugirá 6 mu 2026.

Menya vyinshi ku muhora wacu uciye munzira zo gusaba n'ivyerekeye indaro kurí ashobora gusaba amasomero y'akarorero nó kurí ninde ashobora gusaba y'isumbuye y'akarorero.

# Ikibázo c'irobanurwa

Umáze gusaba, umwana wawe ategerezwa guhabwa ikibázo c'Isuzumwa. Abanyeshure bacá báshirwa mu migwi kubwó ubukérebutsi

## Ikibázo kizotangwa ryari?

Ikibázo kizomara ikiringo c'imisi 2:

**Ikibazo c'atoranijwe mumashuri yisumbuye kuva: Kuwagatanu 1 Rusama kugeza Kuwagatandatu 2 Rusama 2025.**

**Ikibazo co kwiga amahirwe: Kuwagatanu 8 Rusama kugeza Kuwagatandatu 9 Rusama 2025.**

Abanyeshure baza ku musi umwe gusa kandi **nti**bakenéye kwibangikanya imashini nyabwonko zabo bakoresheje kompyuta mu kibázo c'isuzumwa.

## Ibibazo bizabera he?

Ibibazo ahanini bizakorerwa mumashuri yisumbuye ya leta ya NSW. Abanyeshuri bazahabwa ikigo c'ibibazo ukurikije aho biga kwishuri. Abavyeyi bakeneye kujana umwana wabo mukigo c'ibibazo kumunsi w'ibibazo.

## Ni ibikí birí mu kibázo?

Ikibazo gipima urugezo karuhariwe rw'ugutahura ivyo abanyeshure basomye, uko biyumvira mu biharuro, hamwe n'ubukerebutsi bwabo mu kwiyumvira. Abasaba amashure y'akarorero barasuzumwa ukó bandika.

Menyera vyinshi kurí: Ikibazo (test) co kuronka ikibanza.

# Ni ryari nzomenya amanita y'umwana wanje?

Umwana wawe akóze, uzorungikirwa ikete-murávyo mu gicé ca 3 rikubwira amanuta  yaronse n'íbikúrikira. Asangwa uwawe yararonse, uzobwirwa amakurú yerekeye uko iyandikwa ribá.

# Icitegererezo c'Irabanurwa Ringana

Urubúga Uburyo Buringaniye (Model) bwo Kuronka Ikibanza rufasha abanyeshure bose kunganya amahirwe mu gushirwa murí ayo mashure y'akarorero.

Hisunzwe ico citegererezo, kugeza ku bice 20% vy'ibibanza vy'abanyeshure kw'ishure ryose ry'akarorero bigenewe abanyeshure b'ubwenge karuhariwe:

- bava mu mihingo yo hasi mu bijanye n'iterambere mu vyerekeye indero
- b'ábasāngwabutaka / Canke b'Imvukira zo murí ayo Mazinga
- bavámu micungararo ya kure hagati mu gihugu
- bagendána ubumúga.

Ibibanza bisigaye bihābwa abanyeshure hisunzwe ubukérebutsi baserurira mu kibazo c'irabanurwa.

Menyera vyinshi ku muhōra Gufasha bose.

**Ishigikirwa ry'abanyeshure b'ubwenge karuhariwe mu mashure yose ya Reta i NSW**

Amasomero agenewe incabwenge karuhariwe ni bumwe mu buryó Igisáta c'Indero i NSW gishigíkira abanyeshure b'ubwenge n'impano karuhariwe.

Abanyeshure b'ubwenge n'impano karuhariwe barashígikirwa mu mashure yose ya Reta i NSW ngo bīsânzūre. Menyera vyinshi ku muhōra Amategeko yo gufasha Amanyeshure Bafise Impano.

# Ukeneye ayandi makuru?

Mu kumenya ido n'ido, ronderera ku mbuga ngurukanabumenyi zikurikira.

## Imbúga ntangamakuru ku bavyeyi n'abarezi

- **Iyerekeye amashure yisumbuye y'akarorero:** education.nsw.gov.au/shs-oc
- **Amashure yisumbuye y'akarorero:** education.nsw.gov.au/shs-yr7
- **Amashure atanga ayo mahirwe:** education.nsw.gov.au/oc

## Umurongo ntangamakuru ku biga

- **Amakuru y'Amashure n'amasomero y'indobanurwa kubwo abanyeshure ni:** edu.nsw.link/shs-oc-students
- **Gusaba isomero ry'akarorero:** aho kuronderera ibikenewe ku banyeshure: edu.nsw.link/OChub
- **Gusaba ishure ry'akarorero:** aho kuronderera ibikenewe ku banyeshure: edu.nsw.link/SHShub

## Urubúga rw'îhûriro

Injira mu migwi Murikirashusho [Facebook] izwí y'ígisáta:

- **Ugushírwa mw'Ishure ry'indobanurwa:** edu.nsw.link/shs-fb
- **Amashure y'Akarorero:** edu.nsw.link/oc-fb

## Vugana natwe

Vugana na timu y'Abajejwe Indero y'Indonanurwa (Selective Education Team) kurí:

**Umurongo w'Amakete-murávyo:** set@det.nsw.edu.au

**Inomero y'Imvugirakure:** 1300 880 367

**Inomero y'Ubufasha mw'isobanurandimi: 131 450**

Asangwa ukenéye umusóbānuzi ngo agufashé mu vyó usabá hamagara umuhinga akwitavye umubwire:

- ururími ukeneye
- Inomero ugomga guhamagarako.

Umuhinga azohamagara Urwego rwa Timu rw'Indero (1300 880 367) uhabwe umusóbānuzi ku murōngo agufashé mu kiganiro cawe. Nta mafaranga uzorihishwa kubwo ubwo bufashá.

CC BY